# Ishimayeli ni nde?
# Isaka ni nde?

**Iki candiko gifise intumbero yo kwerekana uruhara rwa Isaka na Ishimayeli mu mashengero uno musi.**

**Ca tunganijwe**

**na**

**Pasteur NDAYISENGA Wenceslas**

***Ufise ico wunganira canke ubuza :***
***Whatsapp: 79938921 canke 79988236***

Amahoro bavandimwe ncuti zakadasohoka muri Kristo.
Turi hagati yabizera amasinzi bariko barakimbukira kuba abana b’Imana.

Kubivuga canke kubimenya gusa ntibihagije harakwiye ukundi guhitamwo kutugira abana bavyawe n’umugore w’isezerano bisumba kumara umwanya tuvuga ko tuzoja mw’ijuru.

Isi yose yuzuyemwo abana b’Imana. Ariko bose s’abaraganwa na Kristo. Kuba twarizeye Kristo biduha uburenganzira bwo kuronka ariko ntibisigura ko tumaze kubihabwa. Turakeneye guhingurirwa mu gihe no musi y’imisi mikuru.

Habwirijwe guhagarikwa urugezo rwa Ishimayeli tugatangura kugendana n’urugezo rwiyoroheje ruvuga umwana w’isezerano, Isaka.

Isaka na Ishimayeli berenaka imitima y’abana b’Imana duturanye ngaha kw’isi. Bisigurako uwudakoreshwa n’impwemu ya masezerano ya Isaka akoresha n’impwemu ya Ishimayeli.

Novuga ko dufise kw’isi inkomoko y’impwemu zibiri zituniganiramwo.

## *Itanguriro 15:1-6*

***“Hanyuma y'ivyo, ijambo ry'Uhoraho riza kuri Aburamu nko mu nzozi, riti Aburamu, nta co utinya: ni jewe nkinzo yawe, uzohabga impera ikomeye cane. Aburamu aramubaza, ati Mwami Uhoraho, uzompa iki, ko ngiye gupfa ata kana nsize, kand' uzotorana urugo rwanje akaba ari Eliyezeri Umunyadamasiko? Arongera, at' Erega nta ruvyaro wampaye, kand' umunyarugo yavukiye i wanje ni we azotora ivyanje.***

***Maz' ijambo ry'Uhoraho ryongera kuza kuri we, rit' Uyo si we azotora ivyawe, arik' uzova mu kara kawe ni we azobitora. Amusohokana hanze, aramubgira, ati Rangamiza, urabe mw ijuru, uharure inyenyeri, namba woshobora kuziharura. At' Uruvyaro rwawe ni ko ruzongana. Yizera Uhoraho, Uhoraho abimuharurako nk'ukugororoka."***

Kira rugezo rwose rw’umutima uri kw’isi rurafise ububasha bwo gushobora kumva Isezerano rivuye ku Mana. Ariko hari ivyo tugabako. Kumva isezerano ntabwo ari “garantie” ko muzoshika kukuganzanya na Kristo.

*“Sarayi muka Aburamu ntiyari yaravyaye, kandi yar' afise incoreke y'Umunyegiputakazi yitwa Hagari. Sarayi abarira Aburamu, ati Raba, Uhoraho yanyimye ivyara; enda vyara ku ncoreke yanje: kumbure nzoronkera akana kuri we. Nuko Aburamu yumvira Sarayi.”* **Itanguriro 16:1-2**

Igihe cose Imana isezeranye turasabwa kwihanga. Tubwirizwa gucecekesha uruyeri rwongorera nk’ukuri rugamije kuvukisha isezerano rukoresheje inzira zinguvu zacu.

Ivyo vyatumye Aburamu yemerera Sarayi bituma baronka umwana aciye mu kugerageza inziri n’inkomezi z’umubiri mu kwiyobagiza Isezerano.

*“Hagari avyarana na Aburamu umwana w'umuhungu: Aburamu yita umwana wiwe yavyaranye na Hagari Ishimayeli. Aburamu yar' amaze imyaka mirongumunani n'itandatu igihe Hagari yavyarana na we Ishimayeli.”* **Itanguriro 16:15-16**

Nkuko tubisanga mw’ **Itanguriro 16:12**

Kubwo gukoresha ubwenge bw’umubira mu kugerageza gushitsa isezerano ry’Imana bitumye aburahamu hakuvyara intama yasezeranwe avyara **indogoba** yo mw’ishamba, Ishimayeli.

Bavukanyi urugenzo rwo kugenda n’Imana bitwemerera gucira bugufi ijambo ryose ritewe hagati muri twebwe rivuye mw’ijuru. Bitabaye uko tuzohegekera indogoba twibaza ngo dukwaye intama.

*“Mu bandi bantu azomera nk'indogoba y'inyeshamba, azohanga abantu bose, na we ahangwe na bose; azopfa aho yishingiye amahema yo gusita bene wabo bose.”* **Itanguriro 16:12**

Impwemu y’indogoba ifise igikorwa gikaze hagati mu bavukana.

**azomera nk'indogoba y'inyeshamba, azohanga abantu bose, na we ahangwe na bose; azopfa aho yishingiye amahema yo gusita bene wabo bose.**

Ishimayeli n’urugezo rw’impwemu ruturuka muri Aburamu. Rufise ubukuba bwo gusanza igikorwa c’Imana no gusita bene se. Uru rugezo turarubona hagati mu abera buzuranye mu mashengero. Buzuye igikorwa co gusanzaza. Ntibatekanye atawe bariko barasita. Ico bivako n’uko ari abaraganwa na Ishimayeli.

*“Kandi ntucitwa Aburamu ukundi, arik' uzokwitwa Aburahamu; kuko nkugize sekuruza w'amahanga menshi.”*

**Itanguriro 17:5**

*“Imana ibarira Aburahamu, iti Sarayi umugore wawe ntube ukimwita Sarayi ukundi, arik' uz' umwite Sara.”*

**Itanguriro 17:15**

Abasomyi benshi baribaza igituma aburamu na Sarayi bahinduriwe amazina inyishu n’uko urugezo rwa Aburamu ruhuye n’impwemu y’indogoba ishingiye kugukoresha ubwenge n’inguvu ki muntu mu gushitsa ubugombe bw’Imana ngaha kw’isi.

Aburamu n'urugezo rutorera ikibazo cose bakoresheje inkomezi zabo. Atanguje ishengero kubera ashaka canke yaronse "financement" imfashanyo y'amahera. Ico akora cose mu Mana aharura inyungu mu mubiri.

Ubutumwa avuga bihwanye n'irari ry'amahera.

Aburamu n'urugezo rumatanye n'ivyifuzo vy'isi. Ikimutera gusenga Imana n'uko arondera ko imuha ibihuye no kwifuza kwiwe canke Imana imurindire amatungo. Bafise ubwoba bwo kubura ivy'isi none Imana nayihinduye umuzamu wivyiwe. Ntiyubaha n'icubahiro c'Imana.

Abantu bose bari musi y’ubuja bw’inzira z’isi n’abana b’indogoba y’inyeshambo. Buzuye impwemu ya Ishimayeli.

Barihayagiza kandi barondera ko bamenyekana bonyene, ntibitayeho umubiri wa Kristo wose. Ubunzi bwabo babuhinduye imana yabo.

# Itanguriro 17:17-19

*“Maze Aburahamu arapfukama, arunama aratwenga, yivuganiriza mu mutima, ati Mbeg' umwana yovyarwa n'umaze imyaka ijana? Na Sara amaze imyaka mirongwicenda yoba akivyara?*

***“Aburahamu abgira Imana, at' Icompa Ishimayeli agakomera, akaba imbere y'inyonga zawe! Imana iramwishura it' Oya, ariko kuri Sara umugore wawe ni ho uzovyara umwana. Kand' uz' umwite Isaka; nanje nzokomeza isezerano ryanje na we, ngo ribe isezerano ridashira ku ruvyaro rwiwe ruzovuka hanyuma.”***

Aburahamu no gushika mu gihe yahinduriwe izina yaragifise impwemu yo gukengera Isezerano ry'Imana "***Maze Aburahamu arapfukama, arunama aratwenga, yivuganiriza mu mutima***…" **Itanguriro 17:17-19**

Ako ni kwo kaga kugarije isi n'igikorwa Imana iriko ikorera kw'isi. N'abantu bavugana nayo ariko bafise urugezo rw'indogoba yo mwishimba. Barumviriza ijwi ry'Imana ariko ari Ishimayeli. Abo batwengera mw'ijigo mu kutubaha na gato igikorwa c'Imana.

Amasengesho ya bene Ishemayeli atondeka imbere y'Imana ibiri kw'isi nk'umugambi wavyawe n'ijuru. Na Burahamu yakengereye Imana aca asaba Imana gukomeza imbarabara vyatobowe n'ubwenge bwiwe ***Aburahamu abgira Imana, at' Icompa Ishimayeli agakomera*** **Itanguriro 17:17-19**

***“Kandi no ku vya Ishimayeli ndakwumviye: raba ndamuhaye umugisha, kandi nzomuha kurondoka, ndamugwize cane; azovyara abatware cumi na babiri, kandi nzomuhindura ubgoko bukomeye.***

***Ariko, isezerano ryanje nzorikomeza na Isaka, uwo muzovyarana na Sara mu gihe nk'iki c'umwaka utaha.” Itanguriro 17:20-21***

Amasinzi yabizera azi yuko Ishimayeli yakomotsemwo ihanga ryaba isiramu. Isaka nawe yavuyemwo ihanga ry'aba Kristo. Baribesha cane. Ishimayeli n'impwemu imatanye no gukunda ivy'isi ikorera mu bantu bose. Kandi Isaka nayo n'impwemu ikorera mu bumvira Imana.

Kuba ufise isezerano ry’umugisha si vyo bikugira umwana wa Isaka kuko na Ishimayeli nawe afise umugisha uva ku Mana. “***Kandi no ku vya Ishimayeli ndakwumviye: raba ndamuhaye umugisha … kandi nzomuhindura ubgoko bukomeye***” ***Itanguriro 17:20-21***

Abantu benshi bagendana n'umugisha wa Ishimayeli. Abo ni yo baje mu mashengero bitwararika amaronko y'isi. Agakiza kabo n'ubutunzi bw'isi. Baravuga amazu, barahayagiza passport, bankundisha abantu imodoka zigezweho ndetse bemerera abantu ko ivyuzuye isi bagiye kubironka. Baba bariko barashikana Isezerano ryo gukomera kwa Ishimayeli se wabo.

***"…Ariko, isezerano ryanje nzorikomeza na Isaka, uwo muzovyarana na Sara mu gihe nk'iki c'umwaka utaha" Itanguriro 17:20-21***

Ncuti zacu hari ama sezerano ava ku Mana ari ku bantu babiri ariko bose bakomoka ku muntu umwe.

Muri Aburahamu ni ho hakomoka Ishimayeli, iyo n'impwemu ikorera mu bantu ariko yaturutse mu bantu kandi harakomoka Isaka, ni yo nayo n'impwemu ikorera mu bantu ariko yaturutse ku Mana.

Abantu bamwe bafise impwemu ya Ishimayeli abanda abantu bafise impwemu ya Isaka.

Ishimayeli yaturutse ku vyifuzo vy'abantu, yerekana urugezo rwangaha kw'isi. Isaka nawe yaturutse kuvyifuzo vy'ijuru, yerekana ubugombe bw'ijuru bukorekera ngaha kw'isi nkuko buri mw'ijuru.

Intego za Ishemayeli zishingiye kungorane ziri ngaha kw’isi. Ariko intego ya Isaka ishingiye kukumvira ijwi ry’Imana.

*“Mu bandi bantu azomera nk'indogoba y'inyeshamba, azohanga abantu bose, na we ahangwe na bose; azopfa aho yishingiye amahema yo gusita bene wabo bose.”* **Itanguriro 16:12**

Ishimayeli n'indogoba yo mw'ishamba kandi afise igikorwa co guhungabanya bene se. igituma mu mashengero harimwo ingorane, inyishu n'uko huzuyeyo Ishimayeli ariko bamutazira uwa Kristo.

***"Aburahamu atuma ukuboko, yabira ya mbugita, ngw akerere umwana wiwe. Maze Aburahamu yunamuye amaso, areraguza, inyuma yiwe ahabona impfizi y'intama ifashwe mu mahembe mu gisaka c'inzitane. Aburahamu aragenda, afata ino ntama, ayitanga kw ikimazi co kwoswa mu gishingo c'umwana wiwe."* Itanguriro 22:10, 13**

Isaka yasubirijwe intama mu gishingo co gutangwa kw’ikimazi.

Umwe wese navyibazeko. Ninde yomenya ko atakimazi bafise bagiye gutanga ikimazi ntiyiruke, ntawundi ni Isaka intama.

Ninde yofatwa n'umutama w'imyaka ijana akamubohera kugicaniro ntiyiruke? ni Isaka intama.

Ninde yobona babanguye inkota ntiyiruka? ni Isaka intama.

Ivyi bisigura ko Isaka ubwiwe yahuje umutima na Se Aburahamu wo gutanga ikimazi.

Imbere yuko Aburahamu atanga ikimazi ca Isaka, Isaka na we yari yemeye kwitanga nk'ikimazi.

N'umunezero wo kuja gutanga ikimazi c'umutima uciye bugufi nk'intama, Isaka. Iyo Aburamu atumvira akajana Ihemayeli, Ishimayeli yari gucumitira Aburahamu kugicaniro.

Iyo ngorane ibana n’abarongozi benshi mu mashengero. Dukorana ndetse tugendana na Ishimayeli hanyuma Ishimayeli ageze mu gihe co kuboha abarongozi no kubazirikikira kugicaniro, abarongozi ni ho batangurira kubona ko batigeze bubakisha ubwenge buvuye ku Mana.

***"Namwe bene Data, mur' abana b'isezerano, nk'uko Isaka yar' ari. Ariko nk'ukw ico gihe uwavyawe mu buryo bg'umubiri yahama uwavyawe mu buryo bga Mpwemu, na none ni ko biri. Ivyanditswe bivuga iki? Bit' Irukana incoreke n'umwana wayo, kuk' umwana w'incoreke atazoraganwa n'umwana w'umugore bgite. Nuko bene Data, ntitur' abana b'incoreke, tur' aba wa mugore bgite." Ab'i Galatiya 4:28-31***

Ishimayeli, uwavyawe mu buryo bw'umubiri afise inkomezi n'isezerano ryo guhama uwavyawe mu buryo bwa Mpwemu. Ni wabona wumvikana na Ishimayeli ubwo na we uzoba uri Ishimayeli.

***"…Bat' Irukana incoreke n'umwana wayo, kuk' umwana w'incoreke atazoraganwa n'umwana w'umugore bgite. "*** ***Ab'i Galatiya 4:28-31***

Abera twese uko tugana, abafise impwemu ya Isaka, n’akamo kadaharirizwa ko kwirukana hagari na Ishimayeli Atari uko Ishimayeli azosanzaza igikorwa cose twahawe nk’abana bo ku mugore bwite.

Ntukagendane n’umuntu amaze gusambura amashengero, amaze gusambura ingo z’abandi kuko igikorwa ciwe ni gusita bene se.

Mwisezerano rishasha impwemu ya Isaka, intama irahuye neza n’impwemu iri muri Kristo kuko Kristo na we yitwa yerekanwa nk’intama.

***“Bukeye bg'aho abona Yesu aza kuri we, aravuga, ati Nguyu Umwagazi w'intama w'Imana ukurah' icaha c'abari mw isi.” Yohana 1:29***

Mwisezerano rishasha impwemu ya Ishimayeli, indogoba irahuye neza n’impwemu y’umurwanizi.

***“Iki ni co kimenyekanisha abana b'Imana [bene Isaka] n'abana b'Umurwanizi [bene Ishimayeli]: udakora ibigororotse wese s'uw' Imana, cank' udakunda mwene Data wundi.” 1 Yohana 3:10***

Ishimayeli n’urugezo rutumva canke rutahure ijambo ry’Imana kiretse ubutumwa buvuga urugezo rw’isi.

*“Ariko s'ukugira ngw ijambo ry'Imana ntiryashitse: kukw abamutse kuri Isirayeli atari bo Bisirayeli bose. Kandi kukw ar' uruvyaro rwa Aburahamu, si co kibagira abana biwe bose: ariko, Kuri Isaka ni ho uruvyaro rwawe ruzokwitiririrwa.”* **Abaroma 9:6-7**

***“Yemwe mwa busho buto [ISAKA], ntimutinye: kuko So bimuhimbara kubaha ubgami.”* *Luka 12:32.***

Uruvyaro rwa ISAKA mu bunini ruharurwa nk’ubusho buto ugereranije na Ishimayeli kuko mu gihe ISAKA yavuka Ishimayeli yarafise imyaka 14. Umuryango wa Yuda wari muto muyindi miryango ariko wavuyemwo umwami.

***"Nuko musenge murtya, muti Data wa twese wo mw ijuru, izina ryawe ryubahwe, ubgami bgawe buze, ivyo ugomba bibe mw isi nk'uko biba mw ijuru."*** ***Matayo 6:9-10***

Uruvyaro rwa ISAKA mu gikorwa c’Imana turi ku munzane wo gukimbukira umugambi wa Data nk’itunga rusangi tugomba gushikana ku musozo. Amakuru y’ubwami ntabwo ari umurage wa Ishimayeli. Ariko n’ayabana bo ku mugore bwite, Sara.

***“Namwe bene Data, mur' abana b'isezerano, nk'uko Isaka yar' ari. Ariko nk'ukw ico gihe uwavyawe mu buryo bg'umubiri yahama uwavyawe mu buryo bga Mpwemu, na none ni ko biri. Ivyanditswe bivuga iki? Bit' Irukana incoreke n'umwana wayo, kuk' umwana w'incoreke atazoraganwa n'umwana w'umugore bgite. Nuko bene Data, ntitur' abana b'incoreke, tur' aba wa mugore bgite.”***

***Ab'i Galatiya 4:28-31***

***“Ijwi ryayo ryanyiganyigije isi ico gihe: ariko noneh' irasezeranye, iti Hasigaye rimwe, ngatigitisha, s'isi gusa, ariko n'ijuru na ryo. Iryo jambo, ngo Hasigaye rimwe, ryerekana gukurwaho kw'ibinyiganyizwa, kukw ar' ivyaremwe, kugira ngw ibitoshobora kunyiganyizwa bigumeho. Ni co gituma, <u>kuko twakira ubgami budashobora kunyiganyizwa, dukwiye gukenguruka, kugira ngo tubone ingene dukorera Imana tuyihimbaye, tuyubaha tuyitinya</u>:” Abaheburayo 12:26-28***

Ishimayeli afise ubwirasi bwo kuba umwana w'Imana. Ivyo bimubuza gutahura inzira z'Imana n'ingezo Imana iriko igiramwo mu gihe gikwiye.

Mu gihe ca Kristo vyaragoye impwemu ya ishimayeli yari mu bayuda kumenya no kumva Kristo bituma bibwira mu mitima yabo gutera amabuye Kristo.

*“Nuko Yesu abgira Abayuda bari bamwemeye, ati Ni mwaguma mw ijambo ryanje, mur' abigishwa banje vy'ukuri; kandi muzomenya ukuri, kand' ukuri kuzobaha kwidegemvya.* ***Baramwishura, bati Tur' uruvyaro rwa Aburahamu, nta ho twigeze kujakarira umuntu n'umwe: non' uvuga ute ngo tuzohabga kwidegemvya?***

*Yesu arabishura, ati N'ukuri, n'ukuri ndababgire: Ukora icaha wese n'umuja w'icaha. Umuja ntiyama atsindaje mu nzu, arik' umwana we yama atsindaje.”* **Yohana 8:31-35**

*“Umwana ni yabaha kwidegemvya, muzoba abidegemvya nyakuri. Ndazi ko mur' uruvyaro rwa Aburahamu, yamara murondera ingene mwonyica, kukw ijambo ryanje ritagira ikibanza muri mwebge. Jewe mvuga ivyo nabonye kuri Data; namwe mukora ivyo mwumvise kuri so.*

***Baramwishura, bati Aburahamu ni we data.** Yesu arabishura, at' Iyo muba mur' abana ba Aburahamu, muba mukora ibikorwa nk'ivya Aburahamu. Ariko none murondera ingene mwonyica, umuntu yababariye ivy' ukuri, ivyo numvise ku Mana; Aburahamu ntiyagize artyo.” Yohana 8:36-40*

"*Mukora ibikorwa nk'ivya so*. ***Baramubgira, bati Twebge ntitur' ibivyarwa: dufise Data umwe, n'Imana.*** ***Yesu arababgira, at' Iy' Imana iba ari So, muba munkunda, kuko jewe naje mvuye ku Mana; sinaje nitumye, ariko ni yo yantumye. N'iki gituma mutamenya imvugo yanje? N'uko mudashobora kwumva ijambo ryanje. Mwebge mur' aba so wa Murwanizi, kand' ivyo so yifuza ni vyo mushaka gukora. Uwo yahereye ubga mbere na mbere ar'umwicanyi, kandi ntiyahagaze mu kuri, kukw ata kuri kuri muri we. Iy' avuga ibinyoma, avuga ivyiwe, kukw ar' umunyabinyoma, kand' ari we se wavyo. Ariko jeho, kuko mvuga ivy' ukuri, ntimunyemera.***" **Yohana 8:41-45**

*“Ni nde muri mwebge yonyagiriza icaha nakoze? Ko mvuga ukuri, n'iki gituma mutanyemera? Uw' Imana yumva amajambo y'Imana; mwebge igituma mutumva, n'uko mutar' ab' Imana.*

***Abayuda baramwishura, bati None se ntitwavuze ukuri k'ur' Umusamariya, kandi k'urimwo dayimoni?*** *Yesu arabishura, ati Jewe sindimwo dayimoni, ariko nubaha Data, namwe ntimunyubaha. Jewe sinironderera icubahiro, harih' ukindonderera, kandi ni we Kamaramagambo.”*

**Yohana 8:46-50**

***"N'ukuri, n'ukuri ndababgire: Ni hagira uwitondera ijambo ryanje, ntazobona urupfu gushitsa ibihe bidashira. Abayuda baramubgira, bati Noneho turamenye k'urimwo dayimoni. Aburahamu yarapfuye, n'abavugishwa n'Imana n'uko, ariko wewe uvuze, uti Ni hagira uwitondera ijambo ryanje, nta ho azokwumviriza ku rupfu. Mbeg' uruta sogokuruza wacu Aburahamu? We ko yapfuye, n'abavugishwa n'Imana na bo bakaba barapfuye: wiyita nde? Yesu arabishura, ati Ni naba niha icubahiro, icubahiro canje kizoba ar' ic' ubusa: umpa icubahiro ni Data, uwo muvuga ngo n'Imana yanyu," Yohana 8:51-54***

***“yamara ntimumuzi, ariko jewe ndamuzi. Kandi ni navuga ngo sindamuzi, nzoba mbaye umunyabinyoma nkamwe: ariko ndamuzi, kandi nitondera ijambo ryiwe. Aburahamu sogokuruza wanyu yari yarahahamiye kubona umusi wanje, kandi yarawubonye, aranezerwa. Nuko rer' Abayuda baramubgira, bat' Ube utaramara imyaka mirongwitanu, ngo warabonye Aburahamu? Yesu arababgira, ati N'ukuri, n'ukuri ndababgire: Aburahamu ataravuka, jewe namye ndiho. Baca batora amabuye yo kumutera, maze Yesu arihisha, ava mu rusengero.”***

***Yohana 8:55-59***